# Uwo wese yemera Imana Allah ko Ibaho akemera n'umusi w'iherezo ko ubaho, araheza avuge ivyiza canke apfume yinumira

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwo wese yemera Imana Allah ko Ibaho akemera n'umusi w'iherezo ko ubaho, araheza avuge ivyiza canke apfume yinumira; kandi n'uwo wese yemera Imana Allah ko Ibaho, akemera n'umusi w'iherezo ko ubaho, araheza yubahe yubahirize umubanyi wiwe; n'uwo wese kandi yemera Imana Allah ko Ibaho, akemera n'umusi w'iherezo ko ubaho, araheza azimane umushitsi wiwe".
[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko umuja yemera vy'ukuri Imana Allah ko Ibaho, akemera n'umusi w'iherezo ko ubaho akazosubizwa ku Mana Allah Yamuremye, maze agahemberwa ivyo yakoze, ukwemera kwiwe gutuma akora ibi bintu: Ica mbere: Ukuvuga ijambo ryiza, mu gutazira no kuninahaza Imana Allah, ukwemanga ko Imana Allah ari Imwe Rudende, ukubwiriza ibikorwa vyiza, ukubuza ibikorwa bibi, hamwe rero n'ukunywanisha abatase mu bantu. Mu gihe rero atoshobora gukora ivyo bidondaguwe, asabwa kwinumira maze akareka kugira uwo abangamiye n'akarimi kiwe, agaheza akagacungera. Ica kabiri: Ukwubaha n'ukwubahiriza umubanyi, mu kumugirira ubugwaneza no kutamubangamira. Ica gatatu: Ukuzimana umushitsi akugendeye, mu kumuganiriza amajambo meza n'ukumufungurira, n'ibindi nk'ivyo.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee